
NSW GOVERNMENT | Education




Kirundi

# Kwiga ibijanye no ku kazi Inkuru ku bavyeyi n’abarezi

**Workplace Learning**
**Information for Parents and Carers**

**Uruhara rw’abavyeyi n’abarezi ni ngirakamaro mu gutera imbere mu ndinganizo yariyo yose yo kwiga ibijanye n’ivyo akazi. Mukumufasha muhira, urashobora gufasha umwana wawe mu gufata imyanzuro ngirakamaro ku bijanye na kazoza kabo hamwe no kuronka inyungu zose zishoboka ku kazi.**

## Workplace Learning (Kwiga ibijanye no ku kazi)

Indinganizo yo kwiga ibijanye no ku kazi ni kimwe mu rutonde ry’ivyigwa vy’amashule makuru ya NSW. Bituma abanyeshule bakoresha umwanya wategekenijwe ku kazi. Ubwo bumenyi buteza imbere ukwiga kwabo mu mashule, bubafasha mu guhitamwo umwuga hamwe no kuronka ubumenyi bwo gukora mu ganda. Nta mushahara bahembwa.

## Inyungu zo kwiga ibijanye no ku kazi

Kwiga ibijanye no ku kazi bifasha abanyeshule:

- kuronka ubumenyi rusangi nko kuvugana neza ku kazi hamwe no gukorana n’abandi ku kazi
- guteza imbere ubumenyi bwo gukora mu mahinguriro, binjanye na Vocational Education and Training (Amashule y’Umwuga hamwe n’Ubumenyi) ivyigwa vya (VET)
- gufata imyanzuro itomoye mugihe bategura ivyigwa bazokwiga hamwe n’akazi bipfuza kuzokora bamaze ishule.

## Indinganizo zo kwiga ibijanye no ku kazi

**Kumenyera akazi** bikorwa nkenshi n’abanyeshure bo muri Years 9 canke 10 bakaba bafise n’amahirwe bageze muri Years 11 na 12. Bibaha gutahura muri make “ubuzima bwo ku kazi” hamwe n’akazi bashobora gukora. Abanyeshure barabahagarikira mugukora ibikorwa bihwanye n’ubumenyi bafise.

**Gushirwa ku kazi** ni indinganizo zagenewe abana biyandikishije gukora Higher School Certificate (seretifika y’amashule yisumbuye) (HSC) ivyigwa vyo gukora mu nganda vyemewe. Mu gihe baba bari ku kazi, abanyeshule bashira mu bikorwa ivyo bize kugira baronke ubumenyi mu nganda. Gushirwa ku kazi ni itegeko muvyo HSC isaba mu rutonde rumwe na rumwe rw’ivyigwa vyo mu nganda. Ishure riramuronderera aho ashirwa mu kazi biciye muri Work Placement Service Provider (Abajejwe Gutanga aho Babashira ku kazi).

## Ibijanye no kwiyunguruza

Aho ukorera ku kazi kenshi na kenshi haba ari hafi yo muhira.

Ingendo zose ni umunyeshure yiyishurira. Urasabwa gufasha umwana wawe mugutegura ingendo hamwe no kumufasha mu kwishura ingendo mu gihe co kuja ku kazi.

Mugihe ufise ibikubakiye, vyoba vyiza ubivuganye n'umwana wawe canke uwujejwe indinganizo.

**Menya neza:** Nimba umwana wawe yipfuza kuja ku kazi kure yo muhira canke mu yindi ntara, usabwa kubanza kuvugana n'ishule ry'umwana wawe. Hari izindi mpapuro ategerezwa guca yuzuza imbere y'uko ikibanza kimukwiriye cemezwa n'umukuru w'ishule.

## Umutekano w'umunyeshule hamwe no gutabarizwa

Umutekano w'umunyeshule hamwe no kumukingira nico ca mbere muri NSW Department of Education.

Abakoresha baho akorera bategerezwa ku menyesha ishule mu maguru masha hagize ikibazo c'umutekano canke c'amagara kihaba, harimwo n'ivyahatswe kuba mu gihe abanyeshule bari ku kazi. Abakoresha baho akorera bategerezwa kumenyesha TAFE canke ibisata vyigenga canke ibisata vya kominote iyo batanga ivyo vyigwa. Ibikorwa bimwe bimwe birabujijwe, aho ibindi bifise amategeko abigenga. Ku zindi nsiguro, raba kuro: https://education.nsw.gov.au/teaching-and-learning/curriculum/career-learning-and-vet/workplace-learning/keeping-students-safe

Umwana wawe yitwaza Student Contact Card (Ikarata iriko ibimuranga) iriko inomero ya Medicare (canke inomero ya telefone ya muganga) hamwe n'abantu bashobora guhamagara mu masaha y'akazi canke inyuma yayo. Ibi ni nyamukuru mugihe co gutabarizwa.

Abanyeshule bategerezwa kumenyesha mu maguru masha ababakoresha, ishule, TAFE canke ibisata vyigenga canke ibisata vya kominote bijejwe gukarisha ubwenge ikintu cose giteye amakenga ku mutekano, gishobora guteza ibibazo canke icabaye ku buryo bwihuse, mu mashaha atarenze 24. Umwana wawe aramutse afise ibimubakiye, yakomeretse canke afise ubwoba bwo kumererwa nabi kandi akaba yumva atomenyesha ikibazo ciwe umukoresha, ategerezwa guhamagara ishure canke kwitabariza ubwo nyene.

## Assurance hamwe n'indishi y'akababaro

Igisata kirafise uburyo bwo gukingira abanyeshule bakomerekeye ku kazi bariko bariga ivyigwa vyagenywe. Ku zindi nsiguro raba Workplace Learning Guide for Parents and Carers ku murongo ukurikira: https://education.nsw.gov.au/teaching-and-learning/curriculum/career-learning-and-vet/workplace-learning/guides-and-forms

## Abanyeshure bafise ubumuga canke bafise uburwayi

Usabwa kumenyesha ishule, TAFE canke ibisata vyigenga canke ibisata vya kominote bijejwe gukarisha ubwenge ubumuga, ubufasha y'aba n'ubwo kwiga, uburwayi (ak: yaramenyeshejwe ko ashobora gufatwa na anaphylaxis) canke ibintu babujije umwana wawe bishobora gutuma atagira umutekano ukwiye, ku buzima bwiwe hamwe n'ingene bomukurikirana ku kazi.

Integuro y'ingene bitaho amagara yiwe isabwa gutangwa ku bakoresha biwe. Ukaba utabizi neza baza muganga wawe w'umuryango.

Nimba umwana wawe akeneye ihinduka kugira bimufashe mu gukora neza ku kazi, usabwa kubivugana n'ishule ribifashijwemwo na TAFE canke ibisata vyigenga canke ibisata vya kominote bijejwe gukarisha ubwenge mu gihe bariko barategura uko bizogenda. Ivyo ubamenyesha birashirwa kuri Student Placement Record (Rapport y'umwana ku kazi).

## Ku zindi nsiguro

1. Usabwa kuvugana n'ishule kuko aribo bategura indinganizo y'ukwiga kw'umwana wawe.
2. Urashobora kuvugana n'umukuru ajejwe ivyo kwiga ivyo ku kazi ku biro bikwegereye vy'igisata. Ibijanye n'ingene mushobora kuvugana wobironka kw'ishule.
3. Ukaba ukeneye umusiguzi, hamagara ku murongo w'abasiguzi bo kuri telephone kuri 131 450.

***Senior Pathways, Pathways and Transitions***
*NSW Department of Education*
*seniorpathways@det.nsw.edu.au*